REPUBLIQUE DU BURUNDI

SENAT

ASSEMBLEE NATIONALE

PRESIDENT

Réf : SNB/CP/...436.../2021

Réf : 130/PAN/..009../2021

Bujumbura, le ..20../..12../2021

**ITANGAZO RISOZERA IBIKORWA VY'IKORANIRO RY'INAMA NSHINGAMATEKA N'INAMA NKENGUZAMATEKA ZA REPUBURIKA Y'UBURUNDI RYABEREYE MU NGORO Y'AMAKORANIRO YO MU KIGOBE KU WA 20 KIGARAMA 2021.**

**<u>RYEREKEYE</u> : ICEGERANYO C'AHO UMUGWI W'IGIHUGU UJEJWE UKUMENYA UKURI N'UKUREKURIRANIRA UGEJEJE IGIKORWA MU KIRINGO C'UMWAKA 2021.**

**INAMA NSHINGAMATEKA NA NKENGUZAMATEKA ZIKORANIYE MU NAMA YA BOSE ;**

- **Zihweje** Ibwirizwa Nshingiro rya Repuburika y'Uburundi mu ngingo yaryo **168**, agace ka **8** ;
- **Zihweje** ibwirizwa risubiwemwo N°1/22 ry'igenekerezo rya 6 Munyonyo 2018 rishiraho Umugwi w'igihugu ujejewe ukumenya ukuri n'ukurekuriranira, ritomora ikiringo cawo, abawugize, ingene utunganijwe n'ingene ukora (CVR), na cane cane mu ngingo ya 69 ivuga ko « **Umugwi ujejwe ukumenya ukuri n'ukurekuriranira ushikiriza uko umwaka utashe icegeranyo c'aho ibikorwa bigeze** » ;

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
B.P 114 Gitega · Tél 22 40 50 08
22 40 50 23
SENAT

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
B.P. 120 BUJUMBURA
ASSEMBLEE NATIONALE

Sénat
Avenue du Peuple Murundi
B.P. 114 GITEGA-BURUNDI
Tél : (257) 22 40 50 08 – 22 40 5 023

E-mail : cabinet@senat.bi – senat@senat.bi
Site Web : www.senat.bi

Assemblée Nationale

B.P. 120 BUJUMBURA-BURUNDI
Tél : (257) 22 26 70 11
Fax : (257) 22 26 70 12
E-mail : assemblenationale_burundi@yahoo.fr

A. **Zihweje** icegeranyo c'aho ibikorwa bigeze cashikirijwe n'Umugwi ushinzwe ukumenya ukuri n'ukurekuriranira kw'igenekerezo 20 Kigarama 2021 ;

B. **Zihweje** ingene Umugwi w'igihugu ujejwe ukumenya ukuri n'ukurekuriranira wakoze igikorwa c'ukwerekana aho ukuri kuri ku bijanye n'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu kugira Abarundi babone uko basubiza hamwe kandi n'ubwicanyi bwabaye mu mwaka wa 1972 n'uwa 1973 ntibube bugisubira gukorwa ;

C. **Zimaze kubona** yuko ibisigarira vyazuwe mu binogo vy'ikivunga abishwe bari bahambwemwo bikwiye n'igitigiri c'intahe zabitangiweko hamwe n'inzandiko zivyerekeye zegeranijwe kandi zigakoreshwa n'uwo mugwi ;

D. **Zimaze kwihweza** ibiri muri ico cegeranyo c'ivyamaze gukorwa n'Umugwi ujejwe kumenya ukuri n'ukurekuriranira ;

E. **Zimaze kwihweza** ibikorwa vy' Umugwi ujejwe ukumenya ukuri n'ukurekuriranira umaze gukora arivyo vy'ibi :

- Gutanga umuco ku bijanye n'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu mu vya poritike, mu bwenegihugu, mu vy'ubutunzi n'imibano ;
- Gushira ahabona ibibazwa umwe umwe wese yakoze n'ibibazwa inzego za Reta, amashirahamwe n'imigwi yigenga y'abikorera ivyabo ;
- Gutomora uruhara rw'umukoroni mu mabi adahengeshanya yasinzikaje Uburundi ;
- Kwerekana kamere, imvo n'urugero rw'amabi yakozwe hatibagiwe ayatanguriye, ingene yakozwe, imvo yabiteye n'intumbero ayo mabi yari agamije ;

REPUBLIQUE DU BURUNDI Cabinet du President B.P 114 Gitega Tel 22 40 50 08 22 40 50 23 SENAT

REPUBLIQUE DU BURUNDI Cabinet du Président B.P. 120 BUJUMBURA ASSEMBLEE NATIONALE

**Sénat**
Avenue du peuple Murundi
B.P. 114 GITEGA-BURUNDI
Tél : (257) 22 40 50 08 – 22 40 50 23
E-mail : cabinet@senat.bi – senat@senat.bi
Site web: www.senat.bi

**Assemblée Nationale**
B.P 120 Bujumbura-Burundi
Tél: (257) 22 26 70 11
Fax : (257) 22 26 70 12
E-mail : assemblenationale_burundi@yahoo.fr
Site web: www.assemblee.bi

- Kumenya no kwerekana ahari ibinogo rusangi hamwe n'ahantu hose hafobwe abantu bidakurikije amategeko, gufata ingingo zikenewe zihakingira, kuzura ibisigarira vy'abagandaguwe kugira bazoshingurwane iteka inyuma yaho ukuri kuzoba kwagiye ahabona ;
- Gutegura ikibanza co kubika ibisigarira vy'abagandaguwe imbere yo kubashingurana iteka (ingingo ya 6, agace ka 2) ;

F. **Twihweje** ibikorwa umugwi ujejwe ukumenya ukuri n'ukurekuriranira umaze gushikako mu kurangura imirimo yawo yo gutohoza no kwerekana ukuri ku vyerekeye uguhonyanga agateka ka zina muntu n'amategeko mpuzamakungu agenga iyubahirizwa rya kiremwa muntu mu bihe vy'intambara kwakozwe mu kiringo kiri hagati y'igenekerezo rya 26 Ruhuhuma umwaka 1885 n'igenekerezo rya 04 Kigarama umwaka 2008 ;

G. **Twihweje** ingaruka mbi y'ubwicanyi bw'agahomerabunwa bwakozwe mu myaka ya 1972-1973 mu buhinga bwinshi, na cane cane guhonya abahutu mu masomero no mu gisata c'abigisha, uburyo bwo gukumira abahutu mu gisata c'indero, kubahonya no kubakumira mu rwego rw'igisirikare, ingene abahutu bakumiriwe muri poritike no mu ntwaro, guhunga ku gahato kw'abantu benshi bo mu bwoko bw'abahutu, ihahamuka no gushira mu bukene butagira izina abacitse kw'icumu hamwe n'imiryango isigwa n'abagandaguwe, gushirwa mu bukene butagira izina biciye mu kunyagwa amatungo yo mu ngo, amatongo n'amahera abitswe mu ma banki ;

H. **Twihweje** izina ryatanzwe n'umugwi ujejwe ukumenya ukuri n'ukurekuriranira ku vyerekeye ubwicanyi bw'agahomerabunwa bwabaye mu Burundi mu 1972-1973, hisunzwe amajambo adomako urutoke ivyo vyaha mu gisata c'agateka ka zina muntu n'amategeko mpuzamakungu agenga iyubahirizwa rya kiremwa muntu mu bihe vy'intambara ;

REPUBLIQUE DU BURUNDI Cabinet du Président B.P 114 Gitega - Tél 22 40 50 08 22 40 50 23 SENAT

REPUBLIQUE DU BURUNDI Cabinet du Président B.P. 120 BUJUMBURA ASSEMBLEE NATIONALE

I. **Twihweje ko** ugusaba n'ugutanga ikigongwe ariyo mishinge y'ukurekuriranira nyakwo kandi ari na vyo nkenerwa ku gushika ku mahoro n'iterambere rirama ;

1. Abagize Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka bakoraniye mu nama ya bose yo ku munsi wa mbere igenekerezo rya 20 kigarama umwaka w'2021 mu ngoro y'amakoraniro yo mu Kigobe **bemeje** icegeranyo gishira ahabona ukuri ku vyerekeye guhonyanga biteye ubwoba agateka ka zina muntu kwabaye mu myaka ya 1972-1973, cashikirijwe n'Umugwi ujejwe ukumenya ukuri n'ukurekuriranira ;
2. Abagize Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka bakoraniye mu nama ya bose **bemeje** ku mugaragaro icegeranyo giha izina ivyabaye categuwe n'Umugwi ujejwe ukumenya ukuri n'ukurekuriranira ;
3. Abagize Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka bakoraniye mu nama ya bose **bemeje** icese itangazo ryashikirijwe n'Umugwi ujejwe ukumenya ukuri n'ukurekuriranira **rishimangira**, hisunzwe itohoza ryabaye, ko ihonyangwa riteye ubwoba ry'agateka ka zina muntu ryabaye mu bice vy'igihugu cose c'Uburundi mu myaka ya 1972-1973, ari **ihonyabwoko** ryagiriwe ubwoko bw'abahutu bo mu Burundi ;
4. Abagize Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka bakoraniye mu nama ya bose, **bemeje** itangazo rishikirijwe ku mugaragaro n'umugwi ujejwe ukumenya ukuri n'ukurekuriranira (CVR) rishimangira ko ubwicanyi ndengakamere bwakorewe abahutu mu mihingo yose y'igihugu c'Uburundi;
5. Abagize Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka bakoraniye mu nama ya bose, **bemeje** itangazo rishikirijwe ku mugaragaro n'Umugwi ujejwe ukumenya ukuri n'ukurekuriranira (CVR) rishimangira ko ubwicanyi ndengakamere bwakorewe abatutsi bo mu bumanuko bw'igihugu na cane cane ku nkengera y'ikiyaga Tanganyika, mu ndwi ya mbere yatanguriye ubwicanyi bwo mu 1972;

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
B.P. 114 Gitega - Tél 22 40 50 08
SENAT

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
B.P. 120 BUJUMBURA
ASSEMBLEE NATIONALE

**Sénat**
Avenue du peuple Murundi
B.P. 114 GITEGA-BURUNDI
Tél : (257) 22 40 50 08 – 22 40 50 23
E-mail : cabinet@senat.bi – senat@senat.bi
Site web: www.senat.bi

**Assemblée Nationale**
B.P 120 Bujumbura-Burundi
Tél: (257) 22 26 70 11
Fax : (257) 22 26 70 12
E-mail : assemblenationale_burundi@yahoo.fr
Site web: www.assemblee.bi

6. Abagize Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka bakoraniye mu nama ya bose, **bemeje** itangazo ryashikirijwe ku mugaragaro n'Umugwi ujejwe ukumenya ukuri no kurekuriranira (CVR) rishimangira yuko ubwicanyi ndengakamere bwakorewe abanyagihugu bo mu bwoko bw'abatwa cane cane mu ntara z'ubu za Mwaro na Muramvya;
7. Abagize Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka bakoraniye mu nama ya bose mu Nama y'amakoraniro mu Kigobe **bemeje** ku mugaragaro itangazo rishikirijwe n'Umugwi ujejwe kumenya ukuri n'ukurekuriranira (CVR) ryasozereye rivuga ko ata bwicanyi bwo mu ntambara bwabaye mu Burundi muri 1972-1973;
8. Abagize Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka bakoraniye mu nama ya bose **basavye** Reta y'Uburundi kwemeza icese, ibicishije mw,ibwirizwa, **ihonyabwoko** ryakorewe abahutu bo mu Burundi muri 1972-1973;
9. Abagize Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka bakoraniye mu nama ya bose **basavye** inzego zibijejwe kwemeza ibwirizwa ry'icibutso ryubakiye kandi rishimikiye ku gusaba no gutanga ikigongwe mu ntumbero yo kunywanisha Abarundi;
10. Abagize Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka bakoraniye mu nama ya bose, **basavye** Reta gushiraho urwego rw'ubucamanza rujejwe gukurikirana abakoze ubwicanyi banse gusaba ikigongwe ku bwicanyi bw'agahomerabunwa bagirizwa no kugirira ikigongwe abagisavye kugira ngo umugambi wo kunywanisha Abarundi ntusubire inyuma;
11. Abagize Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka bakoraniye mu nama ya bose **basavye** Reta gushinga umunsi wo kwibuka ihonyabwoko ryakorewe abahutu bo mu Burundi muri 1972-1973 ;

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
B.P. 114 Gitega Tél 22 40 50 08
22 40 50 23
SENAT

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
B.P. 120 BUJUMBURA
ASSEMBLEE NATIONALE

**Sénat**
Avenue du peuple Murundi
B.P. 114 GITEGA-BURUNDI
Tél : (257) 22 40 50 08 – 22 40 50 23
E-mail : cabinet@senat.bi – senat@senat.bi
Site web: www.senat.bi

**Assemblée Nationale**
B.P 120 Bujumbura-Burundi
Tél: (257) 22 26 70 11
Fax : (257) 22 26 70 12
E-mail : assemblenationale_burundi@yahoo.fr
Site web: www.assemblee.bi

12. Abagize Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka bakoraniye mu nama ya bose **basavye** Reta y'Uburundi gusaba ikigongwe ku mugaragaro kw'izina ry'igihugu, ku miryango yose yaburiye ababo mu rwimo rwo muri 1972-1973, ikongera igafasha abakorewe ivyaha, gusubizwa ivyabo no mu guhanagura iceyi ku miryango yabuze ababo bazira ubusa igaca ihabwa izina ry'« Abamenja » ;
13. Abagize Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka bakoraniye mu nama ya bose **basavye** Reta y'Uburundi gusaba amakungu gushigikira CVR mu kuyironsa uburyo kugira ibandanye ibikorwa vyayo ;
14. Abagize Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka bakoraniye mu nama ya bose **basavye** Reta y'Uburundi gusaba igihugu c'Ingoma y'Ububirigi kwemanga uruhara cagize mu guca mu mirwi Abenegihugu biturutse ku ntwaro ishingiye ku mategeko y'ivangura ico gihugu categetse ku gihugu c'Uburundi ;
15. Abagize Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka bakoraniye mu nama ya bose **bahamagarira** Reta y'Uburundi guhamagarira amashirahamwe mpuzamakungu ajejwe gufanshanya na cane cane ishirahamwe ry'Ubumwe bw'Afrika, ishirahamwe mpuzamakungu ONU n'ibisata bikorana n'ayo mashirahamwe ko yogira ivyabo ivyavuye mu matohoza y'Umurgi ujejwe ukuri n'ukurekuriranira ;
16. Abagize Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka bakoraniye mu nama ya bose **basavye** Reta y'Uburundi kuronsa CVR inyubakwa zibikwiye zo gushinguramwo vy'imfatakibanza ibisigarirara vy'abagandaguwe hamwe n'ibikoresho vyazuwe ;

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
B.P 114 Gitega · Tél 22 40 50 08
22 40 50 23
SENAT

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
B.P. 120 BUJUMBURA
ASSEMBLEE NATIONALE

Sénat
Avenue du peuple Murundi
B.P. 114 GITEGA-BURUNDI
Tél : (257) 22 40 50 08 – 22 40 50 23
E-mail : cabinet@senat.bi – senat@senat.bi
Site web: www.senat.bi

Assemblée Nationale
B.P 120 Bujumbura-Burundi
Tél: (257) 22 26 70 11
Fax : (257) 22 26 70 12
E-mail : assemblenationale_burundi@yahoo.fr
Site web: www.assemblee.bi

17. Abagize Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka bakoraniye mu nama ya bose **basavye** Umurgi ujejwe Ukuri n'Ukurekuriranira gutegura amanama ku bari mu gihugu canke mu mahanga kugira babasigurire ibiri mu cegeranyo co mu kiringo c'umwaka wa 2021 ;
18. Abagize Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka bakoraniye mu nama ya bose **basavye** abagize Ibiro vy'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka gushikiriza iri tangazo Reta y'Uburundi.

Bigiriwe i Bujumbura ku wa 20/12/2021

| Umukuru w'Inama Nkenguzamateka | Umukuru w'Inama Nshingamateka |
| --- | --- |
| Nyeniteka Emmanuel SINZOHAGERA | Nyeniteka Gelase Daniel NDABIRABE |
| REPUBLIQUE DU BURUNDI<br>Cabinet du Président<br>B.P 114 Gitega Tél 22 40 50 08<br>22 40 50 23<br>SENAT | REPUBLIQUE DU BURUNDI<br>Cabinet du Président<br>B.P 120 BUJUMBURA<br>ASSEMBLEE NATIONALE |